www.kidworship.kr

# Abarovyi b’abantu

- 4th story -



22Page

**Uwuvuga** Umusi umwe Yesu aja ku kiyaga i Galilaya, aho Petero( ico gihe yari umurovyi) be na murumunawe Andereya bariko bararoba.

**Petero** Ingo mwa fi! Twatereye insenga ijoro ryose ariko nta n’ifi nimwe turafata! Argh!!!

**Uwuvuga** Bihebuye, Petero na Andereya basiga ubwato bwabo ku nkombe, boza insenga zabo.

---



23Page

**Uwuvuga** Yesu yegera ku nkombe z’ikiyaga. Ishengero riramukurikira. Yesu yurira mu bwato bwa Petero aravuga:

**Yesu** Mwoshobora kwigiza gato ubwato kure y’inombe.

**Uwuvuga** Petero akura ubwato ku nkombe abwigiza mu kiyaga kugira bose bashobore kubona Yesu. Yesu abwira ishengero ivy’ubwami bw’ijuru. Ahejeje kwigisha, abarira Petero.

**Yesu** Terera isenga mw’idamba utege!

**Petero** Mwigisha, twaraye ijoro ryose ntaco twaronse. Ariko ko ubivuze, ndaterera insenga.

**Uwuvuga** Petero na Andereya bari abahinga mu kuroba. Bari bagerageje ijoro ryose ariko ntibaronke n’ifi imwe. None Yesu yariko ababwira kwongera guterera insenga. Petero na Andereya bari kumutwenga, ariko baramwumvirije bakora nk’uko yababwiye.

---



24Page

**Petero** Yo-duza-ho!!! Oooh!!! N’ibiki?? Mana, ibi bintu vyoshika gute!!?


**Uwuvuga** Petero na Andereya baratangara. Insenga zabo zari zuzuye ifi. Bafashe ifi nyinshi cane kugeza aho insenga zabo zitangura gutabuka! Yakobo na Yohana bari hafi babonye ibibaye, barapfukama. Yesu arababarira

**Yesu** Ntimutinye; kuva ubu mugiye kuba abarovyi b’abantu

**Uwuvuga** Bose bakwegera ubwato bwabo ku nkombe, basiga vyose bakurikira Yesu. Petero, Andereya, Yakobo na Yohana, bose baba abigishwa ba Yesu.



25Page



26Page



27Page

**Uwuvuga** Umusi umwe Yesu ahura n'umugabo yitwa Matayo. Matayo yari umutozakori. Ico gihe, abatozakori barankwa cane kuko batoza amahera y'umurengera. Abantu bafata Matayo nk'umunyavyaha, ariko Yesu aza kuri we aramubarira:

**Yesu** Nkurikira!

**Uwuvuga** Matayo ava hasi , asiga vyose akurikira Yesu. Abafarizayo babonye Yesu asangira n'abatozakori hamwe n'abanyavyaha mu nzu kwa Matayo, baca batangura kumucokora.

..........................................................................................................

**Abafarisayo** Hmm, ko usangira n'abanyavyaha, ga Yesu?
Si uwukomeye akeneye umuganga, ariko ni umurwayi.

**Yesu** Sinaje ku bw'abagororotsi ariko ku bw' abanyavyaha; ni co gituma ndi kumwe n'aba.

..........................................................................................................

**Uwuvuga** Nuko Yesu ahamagara abigishwa bose biwe uko ari cumi na babiri. Abigishwa bamukurikira imyaka itatu kandi bigira vyinshi kuri we.
Yesu amaze gusubira mw'ijuru, abigishwa biwe babandanya igikorwa yatanguje kw'isi- nk'uko Yesu yabikora, barigisha ubwami bw'Imana kandi bakiza abarwaye!